# Zigama ikarata yawe ya eWIC hamwe n'akanyegezabanga

## Ukwitaho ikarata ya eWIC

- **Bika ikarata yawe ya eWIC ahantu hizewe, nko mu ngodo yawe canke agasakoshi.**
- **Bika ikarata yawe ya eWICisukuye, kure y'imishwarara y'izuba, amasumako hamwe n'ibintu elegitronike.**

## Umutekano wa PIN

- **Ntihagire umuntu n'umwe uha PIN yawe.**
- **Hagize uwuronka ikarata yawe ya eWIC, akayimenya, barashobora gukoreha uturusho twawe. Utwo turusho ntidusubirizwa**

## Isubirizwa PIN/ikarata ya eWIC

- **Iyo ibagiye PIN yawe, hamagara ibiro vy'ubudandaji vya eWIC kuri at 1-855-250-8945 kugira ihindurwe.**
- **Ikarata ya eWIC itakaye, yibwe canke yononekaye, hamagara ubudandaji vya eWIC kuri 1-855-250-8945.**
- **Kugira ikarata yawe ya eWIC isubirizwe, gendera ikigo ca WIC kikwegereye canke wakure kuri 1-800-437-9300 kugira ngo ikarata yawe ya eWIC isubirizwe.**

## Haba iki iyo nibagiye PIN yanje canke nkayinjiza ukutari kwo?

- **Igihe unaniwe kwinjiza ibitigiri vya PIN incuro ziine zikurikirana, ikarata yawe ya eWIC ica yigarwa gushitsa isaha zitandatu z'ijoro. Ushobora guhindura ikarata yawe ya PIN mu guhamagara ibiro vy'ubudandaji vya. Udahinduye PIN yawe, ikarata yawe ya eWIC izoca yugururwa isaha 6 z'ijoro, yamara usabwa gukoresha PIN kugira ngo ukoreshe ikarata yawe ya eWIC.**

# Programe ya WIC yo gusumisha

**Sikana iyo kode ya porogaramu ya WICshopper .**

1. Voma programe ya WIC yo gusumusha
2. Hitamwo nk'umugurisha wawe
3. Ukoresheje programe urashobora:
   - Sikana barcode canke ufonde enter kuri nyabwonko yawe, kugira urabe ko iico kintu cemewe.
   - Vuga igifungurwa kitari ku rutonde rwemewe ariko wibaza ko gikwiye kuhaba
   - Raba urutonde rw'imfungurwa za Main WIC
   - Raba inteko nshasha mu gukoresha imfungurwa zemewe na WIC
   - Menya ubuhinga buzimbutse bwo gukoresha indya za WIC

*Gusumisha WIC hasabwe interineti **(cellular data or wifi)**

**Ibibazo? Akura ikigo ca WIC kikwegereye canke ugendere urubuga rwacu kuri website at www.maine.gov/WIC 1-800-437-9300**

Iri shirahamwe ritanga amahirwe angana

MAINE

# Kaze kuri eWIC, uburyo bwihuta kandi bworoshe mu gusuma




- **Hamwe na eWIC, uturusho tw'umuryango wawe tuzoshirwa kw'ikarata yawe ya eWIC ku rupapuro rwawe rwa WIC rw'intango.**
- **Uzohabwa urutonde rw'indya zawe za WIC hamwe n'umusi w'intango n'iherezo ry'ikiringo c'akarusho kawe.**
- **Uzokoresha ikarata ya ME eWIC mu kugura indya zemewe muri WIC uciye mu bigega vyemewe vya ME WIC.**

Sikana tuno dukode kugira umenye vyishi kuri eWIC

# Mu gutangura

**Imbere yuko ukoresha ikarata yawe ya Maine eWIC, utegerezwa gutora inimero ndangamuntu (PIN) igizwe n'ibitigiri bine.**

Urasabwe kugendera zino ntambwe:

- Akura inimero iri inyuma kw'ikarata yawe ya eWIC
- Injiza inimero yawe ukoresha ubu iri imbere kw'ikarata yawe
- Injiza italiki yawe y'amavuka igizwe n'ibitigiri bibiri bibiri , italili, ukwezi, hamwe n'umwaka ugizwe n'ibitigiri bine
- Injiza code yawe ya zip yo kuri e-mail. Injiza ibitigiri bine vya PIN ushobora kwibuka.
- Subira winjize inimero yawe ya PIN igizwe n'ibitigiri bine

Hamagara ibiro vy'ubudandaji vya eWIC
Tkugira urabe uturusho usigaranye, raba mu vyo waguze, hama urabe amakuru y'ikonte yawe:
Akura ibiro vy'ubudandaji vya eWIC ku nimero itariha iguma yuguruye ari yo: 1-855-250-8945

**Utegerezwa kuba ufise ikarata yawe Maine eWIC mu gihe ushaka gukoresha uturusho twawe WIC**

## Akagohe nkenerwa

- Udutike hamwe n'utuganuke twa"BOGO" offers bishobora gukoreshwa ku bisumwa vyemewe na WIC. Usabwe kuba ubifise mu minwe igihe ibisumwa vyawe vya WIC biriko birasikanwa kugira ngo ushobore kuronka utwo turusho.
- Amabutike amwe amwe atanga utuganuke uko amezi ane aheze. Kugira bikorwe neza, tangukanya WIC hamwe n'ibisumwa vyawe vya misi yose. Ibi bizotuma utuganuke tw'amahera dushirwa ku biribwa bitari ivya WIC.

# Ugutahura uturusho twawe

Uturusho twawe tuboneka kuva isaha at 12:00 z'umusi dutangiweko gushika isaha 11:59 z'ijoro ku musi duhererako.
Uturusho tutakoreshejwe ntitwongerezwa ku turusho two mu kindi kiringo.

**Urashobora gukoresha ikarata yawe ya Maine eWIC aho yemerwa hose.**

## Uburyo usuma ibiribwa vya WIC

- Menya ibisigaye ku turusho twawe twa WIC igihe ugiye gusuma.
- Hitamwo ibiribwa vya WIC ukoresheje ibisigaye mu turusho tw'umuryango hamwe nn'ibiribwa vyemewe biri ku rutonde rwa ME WIC.
- Iyo ufise inyabwonko zirenga 50 ku rutonde rwawe rwa WIC, utegerezwa gutandukanya ibisumwa vya WIC hamwe n'ibindi.
- Agaharuzo gasikana ibiribwa vya WIC.
- Wame ukeresha ikarata yawe ya eWIC nk'uburyo bwawe bwa mbere bwo kurihirako.
- Nyereza ikarata yawe ya eWIC igihe uri imbere y'aho ushira PIN, hama uce ufyonda ibitigiri bine vya PIN yawe.
- Suzuma akaresi agaharuzo kaguhaye. Urabe neza ko ibisumwa vyose vya WIC wibaza ko vyategereza kurihwa vyashizwe kuri iyo resi.
- Fyonda "Yes" kugira wemeze igurwa. canke "No" iyo wibaza ko ibiribwa vyategerezwa kurihwa hakoreshejwe eWIC bitashizweko. Ibisumwa bitorihowa hakoreshejwe eWIC bishobora gukurwa ku rutonde rwawe, canke ukabirihira ukorsheje ubundi buryo (ak, SNAP benefits, debit, credit, canke cash).
- Tora ikarata yawe hamwe na resi
- Bika iresi yawe uhawe ubwa nyuma, igaragaza uturusho dusigaye ku biribwa muri ukwo kwezi, kandi ni vyiza kuyitanga ku biro vyawe vya WIC igihe habaye akabazo.

# Gusoma iresi yawe

Iresi yawe ijako ibiribwa vya WIC wasumye, ibiribwa bisigaye hamwe n'italiki uturusho twawe tuzohererako. Ngaka akarorero:


ABC Market
1 Main Street
Anywhere, USA 12345
Ph: (123) 456-7890
Store ID: WICW006

Term ID: WIC006001
Clerk ID: 999 10:10:01am

Card Num: XXXXXXXXXXXX5678 Auth #: 123499
WIC Merchant ID: XXXXXXX Seq #: 034
Settlement Date: 03/01

WIC Purchase

| Qty | Units | Description | Price |
|---|---|---|---|
| 18.00 | oz | Cheerios 18 oz. | 4.99 |
| 2.50 | $$$ | Fruits & Veg | 2.50 |

TOTAL ITEMS SOLD = 2
$2.50 - Fruits & Veggies

PURCHASE SUBTOTAL 7.49
DISCOUNT APPLIED 0.00

APPROVED PURCHASE TOTAL 7.49

BALANCE DUE: 0.00

BENEFITS EXPIRE ON 3/31/2018

| Qty | Units | Description |
|---|---|---|
| 1.00 | pkg | 16oz Pkg Cheese |
| 1.00 | doz | Dozen Large Eggs |
| 18.00 | oz | Ounces Cereal |
| 2.00 | pkg | 18oz PnutBtr/DryBeans |
| 1.00 | pkg | 16oz Bread/Whole Grain |
| 3.00 | gal | Gallon 1% Fat Free Milk |
| 1.00 | qt | Qts 1% Fat Free Milk |
| 2.00 | cont | 64oz Bottle 100% Juice |
| 5.50 | $$$ | Fruits & Veg |

****CARDHOLDER COPY****
****PLEASE SAVE THIS RECEIPT****